IBIBAZO & INYISHU

Akamangu k'ingurube & Na Wewe

Bivuye mu Bigo vyo Kurwanya no Gukingira Indwara (Centers for Disease Control and Prevention)

Akamangu nk'ingurube n'iki? Akamangu k'ingurube n'indwara yo mu mahaha y'ingurube iterwa n'umugera w'akamangu w'ubwoko A. Ikiza cako kamangu k'ingurube ciyadugiza kenshi mu ngurube. Mu bisanzwe abantu ntibafatwa n'iyo ndwara, ariko birashoboka kandi birashika ko yandukira abantu. Kenshi na kenshi, abarwaye ako kamangu k'ingurube ubasanga mu bantu begereye ingurube, ariko umugera w'ako kamangu k'ingurube ushobora gukwiragira mu bantu bawandukiye.

Hoba hariho abantu bamaze kwandugikirwa n'ako kamangu k'ingurube muri Leta Zunze Ubumwe za amerika? Mu mpera za Ntwarante no mu ntango za Ndamukiza 2009, niho batangura kumenyesha ko hari abantu bafashwe n'iyo ndwara y'akamangu k'ingurube A (H1N1) mu bumanuko bwa Californiya no hafi ya San Antonio, Texas. Ibigo bijejwe kurwanya no gukingira abantu indwara, abategetsi bo mu rwego rwo hasi n'ab'intara barafatanije bose bariko baratohoza ingene ibintu vyifashe.

Mbe umugera w'ako kamangu k'ingurube urandukira?
Ikigo kijejwe kurwanya no gukingira indwara casanze uwo mugera wandukira kandi uriko urakwiragira mu bantu bawandukizanya. Ariko, ntibaratohoza neza ingene uwo mugera wandukira hagati y'abantu.

Ibimenyetso vyerekana akamangu k'ingurube mu bantu n'ibihe? Ibimenyetso umenyerako ako kamangu k'ingurube iyo gateye mu bantu bisa n'ivy'indwara y'akamangu gasanzwe, n'ukururumba cane, kwasamura, kubabara mu muhogo, kubabara mu ngingo z'umubiri, kumeneka umutwe, kujugumira hamwe n'uburuhe. Abantu bamwe baramenyesha ko ugucibwamwo n'ukuyorwa bijanye n'iyo ndwara y'akamangu k'ingurube. Kera, baravuga ububabare bwa cane (indwara y'umusonga no guhema nabi) hamwe n'impfu mu bantu bitewe n'iyo ndwara. Kimwe n'akamangu kiyadukiriza iyo ibihe bihindaguritse, akamangu k'ingurube gashobora gutuma abantu basinzikazwa gusumba n'indwara zidakira boba bari basanganwe.

Ubukomezi bw'iyo ndwara y'akamangu k'ingurube n'ubuhe?
NK'uko bimeze ku kamangu gasanzwe, abantu barwara mu buryo bwinshi akamangu k'ingurube, hari abasinzikara rwose n'abandi barwara buhoro buhoro. Hagati y'umwaka wa 2005 gushika muri Nzero 2009, abantu 12 nibo bari bamaze gufatwa n'ako kamangu k'ingurube muri leta Zunze Ubumwe za Amerika ariko nta bantu karica. Muri Nyakanga 1988, umukenyezi yibugenze afise imyaka 32 yarasanzwe ataho aniha muri Wisconsin niho yinjira mu bitalo arwaye umusonga inyuma yaho yanduriye akamangu k'ingurube aca arasandaba inyuma y'iminsi 8. Iyo ndwara y'akamangu k'ingurube yariyadukije muri Fort Dix, New Jersey muri 1976 yandukira abantu barenga 200, barasinzikaye ariko hafuye umuntu umwe.

Ako kamangu k'ingurube gafata gute?
Akamangu k'ingurube gashobora gukwiragira mu buryo bubiri:

- Mu kwegera ingurube zikarwaye canke guca mu mihingo yaho ziba hateye iyo migera y'akamangu k'ingurube.
- Mu kwegera hafi y'umuntu arwaye akamangu k'ingurube. Kwandukizanya mu bantu kw'iyo ndwara kwanditsweko vyinshi kandi bibaza ko iyo ndwara yandukira nk'akamangu kazanana no guhindagurika kw'ibihe. Abantu banduzanya akamangu k'ingurube biciye mu gukorora canke kwasamura kw'abantu bamaze gufatwa n'iyo ndwara.

Hoba hariho imiti ivura akamangu k'ingurube? Ego cane. Ikigo gishinzwe kurwanya no gukingira indwara gihanura gufata umuti witwa oseltamivir canke zanamivir mu kuvura canke kwikingira umugera w'ako kamangu k'ingurube. Imiti ivura uyo mugera n'imiti yandikwa n'abaganga (ibinini, umuti w'amazi canke imiti bahumera mu mazuru), irarwanya akamangu ikongera ikabuza ko uyo mugera ukwiragira mu mubiri w'umuntu. Ni wafatwa ukarwara, iyo miti ishobora kugabanya ububabare bwawe ukongera ugatora mitende ningoga. Ishobora kandi kubuza gusinzikazwa cane n'ako kamangu canke kuba inkwezi y'izindi ndwara. Mu kuvura uwafashwe n'iyo ndwara, iyo miti ivura uyo mugera igira akamaro iyo umuntu atanguye kuyinywa agifatwa (amaze iminsi 2 afise ibimenyetso vyayo).

Umuntu yanduye iyo ndwara ashobora kuyandukiza abandi mu kiringo kingana gute?
Abarwaye uyo mugera w'akamangu k'ingurube bakwiye gufatwa nk'abantu bashobora kwandukiza abandi igihe cose bagifise ibimenyetso vyayo gushika hahere iminsi 7 bafashwe n'iyo ndwara. Abana, cane cane abana bakiri bato cane, bashobora kwanduza abandi bantu mu gihe kirekire gusumba.

Nogira iki kugira ngo n'ikingire iyo ndwara?
Nta rucanco ruriho gushika ubu rushobora gukingira abantu akamangu k'ingurube. Hariho ibikorwa vya minsi yose bishobora kubuza indwara zo guhema nabi nk'amangu. Menya ivyo utegerezwa kugira ku munsi ku munsi kugira ngo ukingire amagara yawe:

- Fuka amazuru n'umunwa ukoresheje agakaratasi gakoreshwa mu kwimyira canke kwihanagura mu maso igihe ukorora canke wasamura. Ako gakaratasi ca ugata mu gaseke k'imicapfu ugiheza kugakoresha.
- Karaba mu minwe kenshi ukoresheje isabuni n'amazi, cane cane ugiheza gukorora canke kwasamura. Udutambara turimwo alcool natwo nyene turafise akamaro twofasha.
- Gerageza kwirinda kwegera rwose abantu barwaye.
- Ni wafatwa n'indwara y'akamangu, ikigo co kurwanya no gukingira indwara gihanura kuguma muhira ugasiba akazi canke kuja kw'ishule, ukongera ukagabanya guhwana n'abandi bantu kugira ubakingire ntibandukirwe. Reka kw'ikora mu jisho, mu mazuru canke ku mu kanwa. Uko niko umugera w'iyo ndwara wandukira.

Ninafatwa nkarwara nokora iki?
Ni waba uba mu gisagara ca San Diego (San Diego County) canke muri Imperial County California canke muri Guadalupe County, muri Texas, ugafatwa n'indwara ifise ibimenyetso nk'ivy'akamangu, harimwo kugira umuliro mwinshi, kwiyagaza, ibicurane, kubabara mu muhogo, kurungurirwa, kuyorwa canke gucibwamwo, gerageza ubonane na muganga wawe, cane cane niwaba utewe amazinda n'ibimenyetso vy'ingene wafashwe. Muganga akuvura niwe azomenya ko agupima akamangu canke yuko ukeneye imiti.

Urwaye wotegerezwa kuguma muhira ukirinda uko bishoboka kwose kubonana n'abandi bantu kugira ngo wirinde kubandukiza iyo ndwara yawe.

Ni wafatwa ukarwara canke ukabona ibimenyetso ntanga marara bikurikira, gerageza kwihuta uje kwivuza mu maguru masha.

Ku bana ibimenyetso vy'imburizi vyerekana ko bakeneye kubonana na muganga mu maguru masha ni nk'ibi:

- Guhemagurika canke guhema nabi
- Urukoba rw'umubiri rurahinduka rugasa n'ubururu
- Kutaba bakinywa ibinyobwa bikwiye
- Kutavyuka canke ntibakine n'abandi
- Gukaza ishavu gushika aho umwana adashaka uwumuterura
- Ibimenyetso vy'akamangu biraja biracureha ariko bigasubira bikagangura hakaziramwo kururumba hamwe n'ugukorora birengeje
- Kururumba bijanye no kwiyaga

Ku bantu bakuze, ibiminyetso vy'imburizi vyerekana yuko umuntu akeneye kuvurwa vyihutirwa ni nk'ibi:

- Ingorane zo guhema canke ukubura impwemu
- Ukubabara no gukakama igikiriza n'inda
- Kuyamira gushika aho uta ubwenge
- Kuzimira ubwenge ntube ugitandukanya ibintu n'ibindi
- Kuyorwa cane bimwe vy'urutavanako

Ndashobora kwandura akamangu k'ingurube mu gufungura canke guteka inyama z'ingurube?
Oyaye. Imigera y'akamangu k'ingurube ntica mu vyokurya mu kwandukira. Ntushobora kurwara indwara y'akamangu k'ingurube ngo nuko wariye ingurube canke ibituruka mu nyama z'ingurube. Gufungura inyama y'ingurube yabitswe neza kandi yatetswe neza nta ndwara bitera.

Ni wakenera kumenya ibirengeye ibi, soma http://www.cdc.gov/flu/swine/, canke uhamagare Ikigo Kijeje Kurwanya no Gukingira Indwara (CDC) kuri 800-CDC-INFO (Icongereza n'iki Espagnol) canke kuri 888-232-6348 (TTY).